IGARIYAMOSHI YIRUKA IGANA MU RUPFU

Ishusho y'Ubutumwa Bwiza

Moses C. Onwubiko

Niwibaze nawe ku gariyamoshi yoba iriko yerekeza ikibanza c'urupfu.Muri iyo gariyamoshi, abayirimwo bose, na wewe urimwo, mukaba mukaba mwakatiwe urubanza rwo gupfa kandi mukaba muriko mujanwa mu kibanza c'ishirwa mu ngiro z'urubanza mwaciriwe.

Mu gihe rero iyo gariyamoshi igeze hafi cane yaho ija, maze hakaboneka umusore w'umuhungu ari mw'ibarabara ry'iyo gariyamoshi.Uwo musore akazungagiza ibendera risa n'agahama asaba iyo gariyamoshi guhagarara.Igariyamoshi igaca ihagarara ubwo nyene.

Abakuru bayoboye igariyamoshi bakihuta cane kuraba uwo musore , maze bamaze kumusiguza bikwiye, bagasanga ariko asaba ko yopfa mu kibanza cabo bantu bose bari muri ya gariyamoshi. Avuga ati :« Raba ndi ngaha kugira mpagarike ingingo y'urupfu y'aba bantu », uwo musore akabisaba ashimitse.Abakuru bayoboye igariyamoshi batangajwe cane n'ukwo kwitanga kw'imbonekarimwe, bagashikiriza ico basabwe umucamanza yafashe ingingo yo kwica abo bantu.

Umucamanza, yihweje neza, akabaza n'uwo musore, yemeza ko uyo musore aba incungu y'abari mu gariyamoshi bose. Uravye dosiye y'uwo musore, umucamanza yashikirije abari aho, uwo musore nta kibi na kimwe yagirizwa, kikaba c'ari igihushane c'abari muri ya gariyamoshi.None, yemeye ku bushake bwiwe kwiremeka urubanza rwabo arugira urwiwe.

URUKUNDO YARAFITIYE ABARI BAKATIWE URUBANZA

Mu bantu bose bari mu gariyamoshi na wewe urimwo, muriko mwitegereza, wa muntu ariko asinzigarizwa ubuzima, agirirwa nabi, agakurwa mu bandi ajanwa mu kibanza c'ukwicirwamwo mu kibanza c'abategerezwa kwicwa.Nagomba ufate akanya ko kwibaza kandi wibaze neza kuri iyo ngendo ukuntu bigoye gutahura kubona umuntu yemera ku bushake bwiwe kubera igitambo c'abakatiwe urubanza.

Maze, mu gihe bamanika wa musore w'inzirakarengane ku giti mw'ishamba ry'urupfu, yasemereye n'ijwi rirenga kubwo kubabara ariko nta muntu numwe yashoboye kuza kumutabara. Kw'iherezo aracikana. Kubera iki ? Kugira bamwe bari mugariyamoshi bakingirwe kandi babeho.Kubera urwo rupfu rwo kuba igitambo, umucamanza yaciye afata yo kurekura ba bantu bose bari muri ya gariyamoshi.

UKURI DUSANGAMWO

Niwiyumvire nawe ko wari muri ya gariyamoshi naho utoba uyimazemwo umazeyo igihe kirekire.Iyi ni inkuru, ni ikigererenyo. Bibiliya ibivuga neza,

> Bose bakoze ivyaha ntibashikira ubwiza bw'Imana (Abaroma 3 :23)
>
> Kuko ingero y'icaha n'urupfu (Abaroma 6 :23).

Imanza za sentare Nkuru y'ijuru zerekana ko abantu bose bakoze ivyaha ko bategerezwa gucirwa urubanza rwo kuja mu mahonero, bagatandukanwa n'Imana.Abantu bose ata numwe avuyemwo, baramaze gucirwa urubanza n'Imana.

INKOMEZI Z'UMWANA W'UMUNTU

Imana yahinduye ubusa uburyo umuntu yagerageje bwo kwitsindanishiriza imbere y'Imana. Umwe yovuga ati: "Ego, jewe ndagerageza kuba umuntu mwiza." Bibiliya nayo iti:

> Nta wukora ivyiza, eka nta n'umwe (Abaroma 3 :12).

None uwo muntu abikura hehe? Uwundi muntu yokwisigura: "Narageregeje kugendera mu vyagezwe vy'Imana." Aho naho Bibiliya ihafitiye inyishu:

> Kuk'umuntu wese azokwitondera ivyagezwe vyose, agatsitara kuri rimwe, azoba acumuye kuri yose.(Yakobo 2:10).

Ikibazo gihambaye ni iki: Umuntu yokwitondera ivyagezwe vy'Imana bingahe kugira yemerwe n'Imana yo mw'ijuru? Yo kwitondera vyose ! Ucumuye ku cagezwe kimwe bisigura ko wamaze gucumura kuri vyose (yakobo 2:10). None ninde yoba atunganye kuri vyose ? Ni nde yomara umusi canke indwi yose canke umwaka wose atararenga ivyagezwe vy'Imana?Ukuri kuriho nuko:

> Nta wugororoka, nta n'umwe (Abaroma 3:10).

Kandi, uwariwe wese yokwisigura ko agerageza kubaho ubuzima bukiranutse.Ariko, Bibiliya ivuga iti:

> Kuko twese twahindutse nk'ibihumane, kand'ukugororoka kwacu kwose kumeze nk'impuzu yanduye (Yesaya 64:6).

Neza cane, iyi ntabwo ari inkuru nziza ku mwana w'umuntu. Inkomezi zose z'abana b'abantu zokurondera kwemerwa n'Imana zahindutse ubusa. None

zatumariye? Nta na kimwe? Ukwo kutemerwa n'Imana gusigura ko ata muntu n'umwe azoja mw'ijuru? Haba na gato. Gusa, bisigura ko inkomezi z'umuntu ari ubusa. Icizigiro gisigaye,inyishu imwe iriho n'ukugirirwa ubuntu n'Imana.

UMWANA W'UMUNTU MUKUDASHOBORA KWIWE

Umwami Imana akaba n'umuremyi ni Uwera. Niwe gusa agororotse kandi ni Imana y'ukuri. Mu bweranda bwiwe,ntashobora kwifatanya n'icaha canke n'abanyavyaha (1Yohana 1 :5). Kuko ar'Imana y'ukuri, ntishobora kandi ntizokwemerera kw'icaha ciganza kidahanywe. Nta buryo na bumwe umuntu adatunganye ashobora kugiriranira imigenderanire n'Imana itunganye. Ivyo ni ibidashoba n'inkomezi z'umwana w'umuntu.

> Kubwo abantu ico ntigishoboka, ariko ku Mana vyose birashoboka (Matayo 19:26).

Ari co cerekana ko umwana w'umuntu akoresheje imbaraga ziwe atazigera ashikira ubweranda bw'Imana. Haraho umuntu yibaza ko ari mwiza ariko Imana ivuga iti: "Nta wukora ivyiza, eka nta n'umwe" (Abaroma 3:12). Uwundi akibaza ko afise ubuzima bugenda neza.Imana yishura iti: "Nta wugororoka, nta n'umwe" (Abaroma 3:10). Uwundi akibaza ko azotsindanishirizwa n'ukwitondera ivyagezwe vy'Imana.Imana yishura iti:

> Ariko tuzi yuk'umuntu adatsindanishirizwa n'ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe (Ab'i Galatiya 2:16).

Rero, umuntu ntagira aho ashobora guhungira urubanza rw'Imana rwaciriwe abantu bose (Abaroma 3:23). Ntawushobora guhunga uwo rubanza. Twese turi abaciriwe urubanza, twaciriweko iteka ryo kuja mu mahonero y'ibihe bidashira; hariho ababigerageje, ariko kurusimba ntibikunda. Bisigura ko ari umwiheburo wo kudashobora gusimba urubanza rw'Imana ? Namba na gato.Imana yarateguye umugambi umwe gusa wo kurusimba.Umugambi w'ubuntu. Kurikire uwo mugambi w'ubuntu, mube abidegemvya canke muwanke muce mwihamagarira uburake bw'Imana bw'ibihe bidashira (Yohana 3:36).

INKURU NZIZA

Mu gihe umuntu yagerageza guhunga urubanza rw'Imana akoresheje imbaraga ziwe, hariho uwaciye aza kumutabara. Uwo muntu ni Yesu Kristo,umwana w'ikinege umwe w'Imana. Yaritanze ubwiwe nk'umwana w'inzirakarengane afise ivyangombwa vyose bikenewe kugira yikorere urubanza rw'urupfu rwari rwagerewe umuntu.Kubiraba uwo muntu umwe,ariwe Yesu Kristo, Yohana ati :

> Ng'uyu umwagazi w'intama w'Imana ukuraho icaha c'abari mw'isi (Yohana 1:29).

Yiremetse igihano c'ivyaha vyacu.Intumwa Petero yongereko ngo:

> Ubwiwe yikoreye ivyaha vyacu mu mubiri wiwe, abambwe ku giti…(1 Petero 2 :24).

Paulo amenyesha ati:

> Ariko Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha (Abaroma 5:8).

Ikiguzi c'igihano c'ivyaha catanzwe rimwe gusa (Abaheburayo 9 :12).

MBEGA IYO NKURU YOBA NZIZA ITE?

Ikiguzi c'igihano c'urupfu catanzwe rimwe burundu.Igisika cari hagati y'Imana Yera n'umuntu w'umunyavyaha carakuweho.Icaha nico cadutandukanya n'Imana (Yesaya 59:2). Yesu niwe yakuye igisika mu kudupfira abaye incungu ku musalaba. Umuvumu wari ku muntu kuko atashoboye gushitsa ibibwirijwe n'ivyagezwe waciye uja kuri urwo rupfu rwabaye urw'incungu. Kristo yaducunguye umuvumo w'ivyagezwe, mu guhinduka umuvumo kubwacu. Nkuko handitswe ngo:

> Azoba avumwe umuntu wese amanitswe ku giti (Ab'i Galatiya 3:13).

Ni Yesu wenyene, hatabayemwo imfashamwo y'umuntu, yazanya amahoro n'Imana (1 Timoteyo 2:5). Igisika kirekire cariho,ukugwa kw'umuntu ariko akurikira ivyagezwe vy'Imana n'ukudashobora kw'umuntu, vyose vyatorewe umuti ku musalaba na Yesu Kristo.

> Ihanaguye n'icete kitwagiriza, kirimwo amabwirizwa caduhama, igikura hagati yacu nayo, ikibamba ku musalaba. (Ab'i Kolosayi 2:14).

> Niwe mahoro yacu,kuko yahinduye y'amacakubiri kuba kimwe, ahomvoye ca gisika co hagati cadutandukanya,ubgansi amaze kubuhinduza ubusa umubiri wiwe, ni bgo vya vyagezwe birimw'amabgirizwa ava mu vyashinzwe ;kugira ngo muri we y'amacakubiri ayarememwo umuntu umwe musha,ngw' azane amahoro artyo. (Abanyefeso 2:14-15).

> Arikw' Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha (Abaroma 5:8).

UGUSOHOKA KW'INTIBAGIRANWA

Niwiyumvire kandi kuri ya nkuru yaya gariyamoshi yaritumbereye ikibanza c'urupfu.Inyuma yaho wa muntu w'inzirakarengane atangiye ubugingo bwiwe, itegeko ryatanzwe n'umucamanza ryari kw'abagomba gusohoka bose bava mw'igariyamoshi basohokana urugi babaretse.Urwo rugi nirwo ruha gaciro urupfu rw'awa muntu w'inzirakarengane yapfiriye ba bantu.Ese urugi ruraho rw'intibagiranwa !Nimwibaze uko vyariko bigenda mu mitima yabo bari batsinzwe n'urubanza, na cane cane bumvise ingingo yokubareka bagataha iwabo.

Tubigereranije, Imana yaratanze itegeko rivuye muri Sentare yayo mw'ijuru.Iyo ngingo ibereye y'urukiko rwiwe yari iyo guca mu rugi. Aho binjirira, nta kibazo na kimwe uhasanga.Nta nzira zibiri ziri mw'irengutswa ry'Imana.Abari mu Gariyamoshi bategerezwa gusohokana mu rwinjiriro.Uwifuza wese kwinjira mw'ijuru ategerezwa guca mw'irembo ryerekanwe n' Imana.

IREMBO RY'IJURU

Kubiraba ivyagezwe vy'Imana, Yesu Kristo yasomye kandi avuga ati:

> Ni jewe nzira n'ukuri n'ubugingo.Ntawushika kwa Data ntamujanye »(Yohana 14 :6).

Luka yongyeko ati :

> Kandi nta wundi agakiza kabonerwamwo, kukw ata rindi zina musi y'ijuru rtyahawe abantu dukwiye gukirizwamwo. »(Ivyakozwe n'intumwa 4:12).

Mu kuri, ivyo vyerekana ko ata Yesu Kristo,nta muntu yokizwa canke ngo yinjire mw'ijuru.Yesu Kristo wenyene niwe ducako.Nta guca iruhandi handi hariho.Ivyo Imana ivuga n'ukuri. Tumbera irembo wongere winjire canke urondere irindi rembo uce ukurwa mubatazigera binjira mw'ijuru.

UBURYO UMUNTU AKIZWA

Hari inzira imwe gusa ijana umuntu mw'ijuru ni uguca muri Kristo Yesu.Yesu Kristo avuga ati :

> Ni jewe rembo kandi ushika mu rugo wese aciye muri jewe arakizwa (Yohana 10:9).

Ni gute woca mw'irembo utabonesha amaso ? Kuko Yesu ari irembo, inzira iriho yonyene umuntu acamwo ni ukwizera gusa Yesu Kristo.Irembo, urwinjiriro, n'ukwizera Yesu Kristo.Ukwizera kungana gute ? Gutoya cane "kungana n'akabuto ka sinapi: (Matayo 17:20).

Akarorero k'ukwizera: mw'isezerano rya kera, ubwoko bw'Abisiraeli bwaragararije Imana.Imana mu kugororoka kwayo yaciye ibarungikamwo inzoka z'ubumara (Guharura 21:6).Izo nzoka zarakomoye zongera zica amasinzi y'abantu.Babajwe n'ubumara, Abisiraeli baciye bihana ivyaha vyabo ku Mana.Imana yari gushobora kurekerana izo nzoka zikarandura abo bisiraeli bagararije ariko ntiyabikoze.Hagukora ivyo, Imana yakoze iki ? Mu buntu bwayo ntangere, yabariye Mose:

> cura inzoka isa n'izo, uyimanike ku giti c'intumba,maz e uwo inzoka yariye wese, yaraba iyo nzoka y'umurinfa,agakira (Guharura 21:8).

Mose aca akora uko Imana yabimutegetse.Rero, rwari uruhara rw'Abisiraeli gukurikiza uko Imana yabategetse ibicishije mu vyo Mose yavuze. Nibo bategerezwa guhitamwo : gukora gusa uko Imana yavuze canke gukomorwa n'inzoka gushika bapfe.

Rero, abo bose bari bakomowe n'inzoka, batakekeranije ubuntu bw'Imana canke ubwenge bwayo canke bidodombere ivyo Imana yababwiye bisanzwe ariko bahanze amaso inzoka Mose yari yakoze, baciye bazigama ubugingo bwabo(Guharura 21:9). Ee ukuntu umengo n'ink'umugani, butangaje kandi busanzwe ubuntu bw'Imana ku Bisiraeli. Vyari ibisanzwe cane muri rusangi ku basaza no ku bakiri bato bashobora kuraba inzoka maze bakabaho.

Nta kindi kintu bari gukora cokwiyongeye ku buntu burimwo ubwenge. Nta bindi Imana igusaba kuyisezeranira, nta gahato karimwo,nta wundi mwitwarariko canke ubundi bukerebutsi, nta wundi mubatizo nta n'ikindi kigiracumi vyasabwa. Ese inyishu y'ubwitonzi ivuye muri sentare y'Imana yuzuye urukundo. Iyo Mana nyene yategetse Mose, haheze imyaka ibihumbi, yatanze inyishu isanzwe ku ngorane umuntu yari imurengeye.

UMWANA W'IMANA YASHIZWE HEJURU

> Kand'uko Mose yamanitse inzoka mu bugaragwa, nik'Umwana w'umuntu akwiye kumanikwa, ng'umwizera wese ntaz'apfe rubi, arikw'ahabwe ubugingo budashira." (Yohana 3:14-15).

Yesu Kristo yaramanitswe ku giti igihe yabambwa. Nkuko vy'ari ku Bisiraeli bahanze amaso inzoka Mose yari yamanitse, mushobora guhanga amaso umusalaba maze kubwo ukwizera kwo nyene Yesu Kristo muca mwizigira ko ari mu Mana mufise ubugingo budashira.

Mu guca mu bugaragwa, hari uguhanga amaso inzoka.Wanguka iki iyo uyitegereje ? Nta na kimwe.Ku musalaba ni ukwizera gusa. Kandi, ntaco wunguka wizeye ? Oya.Iteka ni irya Yesu Kristo.Rabe ukuntu vyari ivyoroshe ugutabara kw'Imana mu bugaragwa. Kandi rabe ukuntu ari ivyoroshe, ingabirano y'agakiza k'Imana. Imana irorosha ibintu mu gihe satani nabo bakorana bagoreka ubuntu buduhesha agakiza k'Imana. Agakiza ni ikibazo coroshe cane.Ni ivyoroshe uti « Mwizere » utagize ngo « mwizere hanyuma uce ubatizwa » canke ngo « mwizere hanyuma uce uja mu rusengero », canke ngo « mwizere hanyuma ushishikare wizere » canke « mwizere, wihane kandi wizere » canke « mwizere kandi wakire Yesu nk'Umwami wawe ». Asanzwe ari Umwami. Nta kindi wongera ku kwizera. Ivyo Imana idusaba kugira turonke agakiza ni ibintu bitomoye

> Uwizeye(nawe urimwo) umwana arafise ubugingo budashira, ariko utumvira umwana ntazobona ubugingo, ariko uburake bw'Imana buguma kuri we (Yohana 3:36).
>
> Kuk'urukundo Imana yakunze abari mw'isi ari rwo rwatumye itanga Umwana wayo w'ikinege, ng'uwizera wese nt'az'apfe rubi, arikw'ahabge ubugingo budashira (Yohana 3:16)
>
> Kuko urukundo Imana yakunze abari mw'isi arirwo rwatumye itanga umwana wayo w'ikinege ng'uwumwizera ntaze apfe rubi ariko ahabwe ubugingo budashira (Yohana 20:31).

UBWIZIGIRWA BW'IMANA

Vyoshoboka ko Imana ibesha? Oya namba.

> "Erega Imana s'umuntu ngw'ibeshe"(Guharura 23:19).

Asangwa Imana ivuga iti:"Uwizera afise ubugingo budashira"(kandi yarabikoze.Yohana 3:36), nico yagomba gusigura. Asangwa ivuga iti: "kugira ng'Uwumwizera (Yesu Kristo) ntazapfe rubi" (kandi yarabikoze. Yohana 3:16). Yagomba kuvuga ko uwuzigira Yesu, atazoja muri gehinomu.Ni ivyoroshe cane.Mu rundi ruhande, asangwa Imana ivuga iti: "Uwizera Yesu Kristo, akamugira Umukiza wiwe, kandi akabatizwa maze akamwizigira, ntwazopfa rubi." Uzoba ugize neza niwakora ivyo vyose ugomba kuragwa ubugingo budashira.Ese ukwiruhutsa kuriho kuko yoyo ntivuga ivyo vyose. Ukuri tugusanga mw'Ijambo ryayo:

> Izere Umwami Yesu urakira (Ivyakozwe n'intumwa 16:31).

Ni uko ubuntu bw'Imana bukora.

GUFATA INGINGO IKOMEYE

Niyo mpamvu, ushobora gufata icemezo gikomeye cohindura urugendo rw'ubugingo bwawe rukujana mu bugingo budashira.Wokora gute ?Mu kubwira gusa Imana Data wa twese n'ijwi ryumvikana canke uvugira ku mutima, ko uhereye ubu wizeye uwo yamanitswe ku giti kugira agupfire.Mu gihe ushize ushize ivyizigiro muri Kristo, uzoba wubashe Ijambo ry'Imana. Ubwo nyene, igitangaza c'agakiza gica gitangura.Ese igihe kidasanzwe mu bugingo bwawe !Ubugingo bw'uburyo butangaje twahawe ku buntu bw'Imana

> ubuntu nibwo bwbakijije kubwo ukwizera (Abanyefeso 2:8).

Ni ibihe bitangaza vyabaye? Imana ikabukanije ukwizera kwawe guke n'ingeso zawe zaboze, aguha ukugororoka kwiwe (Abaroma 3:22) arirwo rufatiro rw'ugutsindanishirizwa.Ibindi navyo, aguha ubugingo budashira (Yohana 3:36). Ico gihe, uca wakira ukugororoka kwayo. Na wewe nyene uca uronka ubugingo bw'ukuri bwiwemuri wewe. Izo ngabire z'ubuntu bw'Imana uronse ubwa mbere mu bugingo bwawe buguha uburenganzira bwo kubana n'Imana mw'ijuru ibihe bidashira.Woba wakoze iki ngo uronke kimwe muri ivyo? Nta na kimwe. Kubw'ivyo,urashobora kuvuga udakekeranya ko utari ubibereye kandi ataco wakoze kugira ukizwe iyo butaba ubuntu bw'Imana gusa. Wovuga mu ncamake uti: Ntaco wohindura kuvyo Imana yakoze.Igikorwa c'Imana ni igikwiye kandi ntigisubirwamwo kuko ingabire z'Imana no guhamagara kwayo itavyicuza (Ivyakozwe n'intumwa 11:29).

Ng'iyi inkuru nziza.Umwanya urashitse.Ni ahawe gufata ingingo.Agakiza tukaronka mu kwizera Kristo, ni muri Yesu Kristo gusa.Iyi niyo nyishu kugira ukire.Niwakire ingabire y' ubuntu hanyuma uhingurwe canke wanke ubwo buntu hanyuma ubone ingaruka y'ugutsindwa n'imibabaro y'ibihe bidashira.

Ukuri kw'Imana nuko:

> Uwizeye umwana arafise ubugingo budashira, ariko uwutumvira Umwana ntazobona ubugingo, ariko uburake bw'Imana buguma kuri we (Yohana 3:36).

Ni ahawe guhitamwo.

Kubw'ivyo, Data uri mw'ijuru, turagushimiye ku bw'ingabire yawe y'ubuntu ; umwana yitanze ku musalaba.Turagushimiye ko watworohereje kuvy'agakiza kugira bose bashobore kukakira.Turasengeye abasomye ubu butumwa bwiza ariko batarafatira ingingo ubugingo bwabo. Turagusavye ko boshika aho batahura ico bisigura kwemera canke kwanka ingabire y'agakiza k'ibihe bidashira.Turagusavye Data, wihindukirize abo batarizera Kristo kugira bagume bazirikana kuri ubu butumwa. Mw'Izina rya Kristo. Amen.

KU BAMAZE KWIZERA

Imana ibasaba gukurira mu buntu (2 Petero 3:18). Yifuza ko mwogumana inyota y'inyigisho nzima (1Petero 2:2). Asangwa mwipfuza kuronka aka gatabo n'ibindi bitabo vy'urufatiro vyobafasha vyo bafasha mu bugingo bw'impwemu, nimwandikire :

Pasteur Philippe
E-mail :getbdi@yahoo.fr
Bujumbura-Burundi

IBIJANYE N'AMAFRANGA

"Mubiherewe ubusa, mubitangire ubundi" (Matayo 10:8). Imana irategekanya urufatiro rw'ivyizerwa vy'ubuntu kandi tukipfuza kugendera mu buntu.Ku bw'ivyo, nta gikoresho na kimwe dusabako ikiguzi.
Uwifuza kuronka ibitabo, ama kaseti n'ibindi bikoresho, azobironswa ku buntu ataco agobereweko.

Grace Evangelistic Ministries, Inc.ikora kubera ingabire zitangwa ku buntu.Ntitugurisha ivyo twandika. Nta mafranga twaka. Iyo Ijambo ry'Imana risunitse uwizera gutanga, aca aronka uburyo bwo kugira ico akoze kugira hakwiragizwe urufatiro rw'ivyizerwa

AMASENGESHO

Ku bizera gusa:

> Mukovye mu gusenga,mukubemwo maso, musenga (Ab'iKolosayi 4:2).
>
> Ugusaba kw'umugororotsi kugira ikimazi kuri vyinshi mu gikorwa cakwo. (Yakobo 5:16).
>
> Mudusengere natwe (Rév.Moses na Grace Evangelistic Ministries) kugira Imana itwugururire urugi bw'ubu butumwa kugira ngo tubashe kuvuga ivy'iri banga ari ryo Kristo (Ab'I Kolosayi 4:3-4).

© 1997 canditswe na Moses C.Omwubiko
Candikiwe mu Burundi, Bujumbura 2008

Moses C.Onwubiko niwe yatanguje ibikorwa vya Grace Evangelistic Ministries agitanguza mu 19997 nk'ishirahamwe rya kimisiyonere co kwigisha Bibiliya. Intego yacu ya mbere n'ugukwiza Ubutumwa bw'ubuntu "Ukwizera kwonyene muri Kristo wenyene" ku bugingo bwazimiye muri iyi si yononekaye. Moses amaze gukwiza ubutumwa bwiza mu bihugu vyinshi vya Afrika, Aziya n'I Bulaya kandi abandanya urugendo rwiwe aho Imana imwugururiye urugi hose.

"Ariko ubuntu bw'Imana ni bwo bwatumye mba uko ndi".
(1 Ab'I Korinto 15:10a)

Ibijanye n'uburyo bw'amafaranga
Grace Evangelistic Ministries ntisaba amafaranga. Twizera kw'Imana kubwo ubuntu bwayo izotanga uburyo bw'amafaranga bukenewe.

Casohowe Na Grace Evangelistic Ministries
Inc. USA